KIDS GOD WORSHIP

www.kidworship.kr

# Yosefu II (Umugaba wa Egiputa)

- 13th Story -




88Page

**Uwuvuga** Nk'umugaba wa Egiputa, Yosefu yabaye umugabo akomeye agira kabiri muri ico gihugu havuye Farawo. Inyuma yo kugenwa nk'umugaba wa Egiputa, habaye imyaka indwi y'umusesekara hanyuma. habaho ivyo kurya bikwiye muri Egiputa.

**Yosefu** "Ni mwegeranye umwimbu muwubike mu bigega"

**Uwuvuga** Abasuku bo mu gihugu ca Egiputa ntibatahura bikwiye Yosefu, kuko yabandanya kwegeranya no kubika imbuto mu bigega muri iyo misi y'agahimbo, ariko babikora nk'uko yabitegetse.

---




89Page

**Uwuvuga** Ya myaka indwi y'agahimbo iheze. Imyaka y'amapfa iratangura. Imirima iruma kuko imvura yari yataze. Ariko kuko Yosefu yari yarabitse umwimbu ukwiye muri ya myaka y'agahimbo, nta nzara yabaye mu gihugu ca Egiputa kandi abanyegiputa ntibigeze bagira ico bakena. Yosefu arashinga ibigega. Abantu bo mu bindi bihugu bumva ko mu gihugu ca Egiputa hari ibisumwa. Iyo nkuru ishika mbere n'i kanani aho Yakobo n'umuryango wiwe bari bagereye. I kanani naho hari hasinzikajwe n'ikigoyi. Umusi umwe Yakobo akoranya abahungu biwe arababwira:

**Yakobo** "Ni muje muri Egiputa gusuma indya."

**Uwuvuga** Bakuru ba Yosefu cumi baja muri Egiputa. Basiga mutoyi wabo Benyamini.

---



90Page

**Uwuvuga** Bamaze gushika muri Egiputa. Barunamira umuyobozi waho. Nta numwe yashoboye kumenya ko ari Yosefu. Ariko Yosefu wewe yaramenye ko ari bakuru we ubwo nyene. Yosefu yibuka za nzozi yarota akiri muto. Yosefu aranezerwa cane n'ukubona bakuru we ariko arabakankamira cane.

**Yosefu** "Muri abatasi mwaje kuraba aho igihugu cacu kidakingiye!"

**Bakuru we** "Muradutunga muhanyi, abasavyi bawe twavuye i Kanani tuje gusuma!"

**Yosefu** "Muri bangahe?"

**Bakuru we** "Tuvukana turi cumi na babiri...mutoyi wa twese yasigaye muhira hanyuma uwundi yarapfuye."

**Uwuvuga** Yosefu avyumvise yipfuza kubona Benyamini.

**Yosefu** "Genda mumanze muzane murumuna wanyu i Kanani niho ndavyemera!".
"Nimujane ivyo vyo kurya i Kanani ariko umwe muri mwebwe arasigara, niyo mutanzanira Benyamini nzoca ndamwica."

**Uwuvuga** Muri bo hasigara Simiyoni. Abandi icenda basubira i Kanani n'ibifungurwa.

---


91Page

**Uwuvuga** Bakuru ba Yosefu bazanana na Benyamini muri Egiputa. Yosefu abonye Benyamini yicwa n'ibigumbagumba. Yosefu ageza babavukanyi biwe aca ategeka ko bashira igikombe ciwe c'ifeza mw'igunira kwa Benyamini. Yabikoze impaka kugira ngo adendereze Benyamini ko yivye. Nuko Yosefu atuma Benyamini yagirwa n'icaha. Ba bakuru we bakubita inkoro hasi imbere ya Yosefu baramwunamira. Ntibashobora kwemera ko se wabo Yakobo yokwongera kubura uwundi muhungu, kuko yari akiririra Yosefu. Abo bavukanyi barapfukama imbere ya Yosefu .

**Benewabo** Turakwinginze utubabarire. Hamwe data yokongera kubura uwundi muhungu yohava apfa. Turakwinginze....turakwinginze ubabarire umuhererezi wacu.

**Uwuvuga** Yosefu abonye ukuntu bakuru we bahangayitse kubw'umuhererezi wabo Benyamini, aca yumva akunze cane se na benewabo.

---


92Page

**Uwuvuga** Bimunanira kwihangana arabagumbira, araturikisha ararira kubera ibigumbagumba hanyuma arababababarira.

**Yosefu** "Ndi umuvukanyi wanyu Yosefu."

**Abavukanyi** "Iki? Uri Yosefu?""

**Uwuvuga** Benewabo baratangaye cane kubona Yosefu kuko bari bazi ko yapfuye. Barajugumira cane imbere ya Yosefu, uwo yabaye umugaba wa Egiputa kubw'ikibi bari baramukoreye kera. Ariko Yosefu ararira n'ibigumbagumba arababarira benewabo.

**Yosefu** "Ni mushire amanga benedata ahubwo ni mugende muzane na Data tubane."

**Uwuvuga** Yosefu arababarira bene se ibibi bamukoreye hanyuma abana na se na bene se mu munezero mu gihugu ca Egiputa.